SENAT

INAMA
NKENGUZAMATEKA

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senta@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

Gitega, le …. /…. / 2023

N. Réf : SNB/CP/……../2023

IVYASABWE N'INAMA NKENGUZAMATEKA INYUMA Y'INYISHU ZATANZWE KU KIBAZO CIYAGUYE CABAJIJWE ABASHIKIRANGANJI BATATU MU VYO BAJEJWE HARIMWO INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU, UBUDANDAJI HAMWE N'IKIGEGA CA RETA, MW'ISASA RYO KU WA 16 MYANDAGARO 2023

A. **IBIRABA UMUSHIKIRANGANJI AJEJWE INTWARO YO HAGATI MU GIHUGU, UMUTEKANO N'INTERAMBERE RUSANGI**.

1. Kubera imyidogo ituruka kw'izimangana ry'isukari ingana n'amatoni cumi n'atanu ryabereye muri komine Mukaza, aho bigaragara ko habayemwo ukuboko kw'indongozi y'iyo komine, hasabwe ko uwurongoye iyo komine yohagarikwa vy'agateganyo mu kurindira ibizova mu matohoza.

2. Gushiraho umurwi ujejwe kugira amatohoza kubari bararonse ibibanza bitubatse mu masoko ya Reta, hanyuma wige ingene abawituye botunganirizwa ariko n'inyungu za Leta nazo zigakingirwa.

3. Gukosora utunenge twoba turi mu mategeko agenga ugukotesha ibibanza biri mu masoko ya Reta ;

4. Mu gihe hatanzwe ubutumwa buciye ku buhinga ngurukanabumenyi bugenewe abajejwe intwaro, hasabwe ko hoca hakurikira ubutumwa bwanditswe kandi buteweko umukono ;

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

5. Mu ntumbero y'uko abarundi bose bagira uburenganzira bumwe ku bibanza vyo mu masoko ya Reta, hasabwe ko ata muntu yorenza ikibanza kimwe co kudandarizamwo ;

6. Gusaba abajejwe ibibanza bikoraniramwo abantu (ubunywero, aho gutambira) ko bobitunganya mu buryo bidahungabanya umutekano wo mu kibano, batabishoboye hafatwe izindi ngingo zibereye ;

**B. IBIRABA UMUSHIKIRANGANJI MU VYO AJEJWE HARIMWO UBUDANDAJI**

1. Gushiraho umurwi ujejwe kwiga ingene igiciro c'ibinyobwa vya Brarudi coshingwa mu burere buri kubirometero birenga mirongo itanu uvuye kumadepo ;

2. Gukorana n'ikigo kijejwe ubudandaji n'amahinguriro mu Burundi kugirango bashobore gutorera umuti ibibazo abadandaza bahura na vyo mu kuriha ibidandazwa barangurira hanze y'igihugu ;

3. Gushinga ibiciro ntarengwa ku bunguruza abantu bakoresheje imodoka ntoya bita probox zitwara abantu n'ibintu ahantu hadakunda gushika amabisi ;

4. Guha umwidegemvyo abandandaza barangurira ibinyobwa vya Brarudi muma « mega » bakareka kubomekako ivyo badashaka ngo babirangure bijane n'ivyo bakeneye kandi batabifitiye umutahe naho bobigurisha ;

5. Gukurikiranira hagufi amahinguriro akora ibinyobwa bishobora kubangamira amagara y'abenegihugu ;

6. Gukorana n'abarwizatunga kugira ngo ibibanza vy'iratiro bitunganywe neza.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

**C. IBIRABA ABASHIKIRANGAJI BABIRI MU VYO BAJEJWE HARIMWO UBUDANDAJI N'INTWARO YO HAGATI**

1. Guhimiriza ibisata bijejwe isuku gukurikirana neza isuku mu bibanza bihuriramwo abantu benshi n'ingenzi (mu buriro, amasoko no mu bunywero) ;

2. Kubera vyagaragaye ko inshingwa ry'ingingo inganisha ibiciro vy'inyama mu gihugu cose bigatuma abadandaza nabo bahura n'ibibazo vyo kutazirangura kumwe kandi mu gice kimwe, hasabwe ko igiciro c'inyama coshingwa hisunzwe uburere zigurishirizwamwo, umworozi adahohotewe ;

3. Kuja inama n'ingingo ku bijanye n'ingingo zifatirwa abadandaza canke abagwizatunga muri rusangi.

**D. IBIRABA ABASHIKIRANGANJI BABIRI MU VYO BAJEJWE HARIMWO INTWARO YO HAGATI HAMWE N'IKIGEGA CA RETA**

Kwihutira gushiraho ikigo (centre des opérations) gikoresha ubuhinga ngurukanabumenyi mu kugenzura uruja n'uruza hamwe n'amakosa y'ivyuma bigendera mu mabarabara bifise imparati mu kwegeranya amakuru y'ikibiriraho y'ibibaye mu gihugu cose.

**D. IBIRABA UMUSHIKIRANGANJI MUVYO AJEJWE HARIMWO UBUTUNZI.**

Gukurikiranira hafi ibibazo biri mu mashirahamwe y'ama banki kugira ngo ntibihave bigira ingaruka mbi k'ubutunzi bw'igihugu.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 24 Myandagaro 2023

**Umukuru w'Inama nkenguzamateka**

**Nyeniteka Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél. 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT